Uwo wese azoharanira agateka n'icubahiro vya mwenewabo, mu kumwishurira ibimuvugwako atari ho ari, Imana Allah Izomukingira umuriro ku musi w'izuka ry'ibiremwa

Mu vyakiriwe na Abu Al-Dardaa-i (Imana Allah Imwishimire) ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Uwo wese azoharanira agateka n'icubahiro vya mwenewabo, mu kumwishurira ibimuvugwako atari ho ari, Imana Allah Izomukingira umuriro ku musi w'izuka ry'ibiremwa".

[صحيح] [رواه الترمذي وأحمد]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), aratwiganira ko uwuvugiye mwenewabo w'umwislamu atahari mu guharanira agateka n'icubahiro ciwe, maze akanka ko atukwa canke avugwa nabi, Imana Allah Izoheza Imukingire ibihano ku musi w'izuka ry'ibiremwa.

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/5514